ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »


Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 488 kuva kuwa 18-24 Myandagaro 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°488 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 24 Myandagaro 2015, abantu bashika 750 babuzwe irengero nibo ishirahamwe iteka ryumvise.***

**Ishirahamwe ITEKA :**

- *Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),*
- *rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zi-na muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.*
- *Umuhari Iteka ugizwe n'Inani  mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32*

## *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***BRARUDI*** | *: Ihinguriro ry'ibinyobwa ry'i Burundi* |
| ***CDP*** | *: Ihuriro ry'abakunda igihugu* |
| ***CECI*** | *: Umugwi wigenga utunganya amatora ku rwego rwa komine* |
| ***CEPI*** | *: Umugwi wigenga utunganya amatora ku rwego rw'intara* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira intwaro rusangi-Urunani rukindira intwaro rusangi* |
| ***CNIDH*** | *: Umugwi wigenga ujejwe agateka ka zina muntu* |
| ***COGERCO*** | *: Ishirahamwe rihingura ipampa* |
| ***DPE*** | *: Ubuyobozi bw'indero mu ntara* |
| ***EAC*** | *: Ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FARDC*** | *: Forces Armés de la République Démocratique du Congo* |
| ***FDNB*** | *: Urunani rukingira igihugu c'uBurundi* |
| ***OTB*** | *: Ishurahamwe rihingura icayi mu Burundi* |
| ***PNB*** | *: Igipolisi c'igihugu c'uBurundi* |
| ***RDC*** | *: République Démocratique du Congo* |
| ***RN*** | *: Ibarabara ry'igihugu* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***UPRONA*** | *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |
| ***VSBG*** | *: Amabi afatiye ku gitsina* |

**Urutonde rw'ibirimwo** **Urupapuro**


0. INTANGAMARARA.......................................................................1

I. UMWIHWEZO ............................................................................1

I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE .......................................................1

I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ....................................................4

I.3.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ...................................................5

I.4.UMWIHWEZO W'INTWARO ........................................................7

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ..............................8

II.1. UBURENGANZIRA KUBUZIMA ..................................................8

II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA ..............8

II.1.2. UKUNYURUZWA HAMWE N'UKUBURWA IRENGERO...............9

II.2. UKUMVIKANA MURI VYOSE ...................................................10

II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA CANKE GUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ..............................................10

II.2.2. ABAFASHWE KU NGUVU .....................................................11

II.2.2.ABAHOHOTEWE BIFATIYE KU GITSINA ....................................11

II.2.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO ....................................12

II.2.3.1.ABAHAGARITSWE BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO ..................12

II.2.3.2. UBURENGA NZIRA BWO KUJA MU VYA RETA......................13

III. UBURENGANZIRA KUMIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA .14

III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI..................................................14

III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO ................................................16

IV. UGUSOZERA N'IBISABWA .........................................................17

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi muri iki kiringo c'indwi yo ku wa18-24/8/2025. Ikiringo caranzwe n'ibihe vy'imiyamamazo y'abitoreza ubuhanuzwajambo ku mutumba mu gihugu. Muri kino cegeranyo,umuhari iteka urihweza kandi ivya politike,ubutungane,intwaro hamwe n'umutekano. Uraraba kandi ibintu bigaragaza ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku mibano-ubutunzi be n'imico kama.

Amabi ku gateka ka zina muntu yabonywe kandi yatohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwitikira : n'imiburiburi abantu 5 barishwe, bose batowe ibiziga mu burere butandukanye,abantu 2 baborejwe igufa, 3 bakorewe amahohoterwa afatiye ku gitsina harimwo 2 bafashwe ku nguvu haamwe na 1 yahohotewe n'uwo bubakanye hamwe n'abantu 8 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko. Twovuga umugore 1 yanyurujwe mu Ruyigi bigateshwa kubera abantu babibonye.

Ahanini abikekwako ayo mabi ni abantu bo mu ntwaro,abapolisi hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE

**Ikiganiro umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD yagiranye n'abamenyeshamakuru**

Ku wa 23/8/2025,Reverien Ndikuriyo,mu mabanga yiwe y'ubunyamabanga bukuru bw'umugambwe CNDD-FDD, yaragirishije ikiganiro i Buye, mu ntara ya Butanyerera. Ico gikorwa cabaye akaryo kaboneka kugira bagaruke ku ngorane zitandukanre kandi zihuta zihanze igihugu, nk'ubukene buguma bwiyongera, ifaranga ry'igihugu rita agaciro biteye ubwoba, hamwe n'ibura ry'igitoro. Ibindi bintu bagarutseko harimwo ihunguka ribandanya ry'impunzi,gusubira kugururwa kw'imbibe birindiriwe, hamwe n'imigenderanire idatomoye kandi y'uruhagarara hagati y'uRwanda.

Muri ivyo biyago,insiguro 6 zikomeye zarashizwe ku mugaragaro kandi zirihwezwa kuburyo bwimbitse :

Kuvyerekeye imigenderanire hagati y'uburundi n'uRwanda, Ndikuriyo yaremanze aho uBurundi buhagaze kuri ico kibazo. Yamenyesheje ko uBurundi bukeneye ko abikekwako kugerageza gutembagazwa intwaro bogaruka,mu gushimika ku kamaro ko kwubahana hamwe n'agateka muvyo bagiriranira. Ku kibazo co kwiyemeza hamwe no guhimiriza urwaruka rwo muri CNDD-FDD, hamwe n'ivyo bagirizwa vyo kwigisha ivya gisirikare abana,yatanze umuco ko intumbero nyamukuru ari gutegura uburundi bw'ejo,

mu kubinjizamwo imico ntagereranywa nko kwiyubaha, agateka k'umuntu hamwe n'urukundo rwimbitse ku gihugu cabo. Mu gihe ivyegeranyo vyinshi ku gateka ka zina muntu mu Burundi bivuga kenshi uruhara runini rw'urwo rwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi mu mabi adahengeshanya.

Kuvyerekeye igaruka ry'impunzi, Ndikuriyo yashimangiye ku ntumbero y'ubushake muri iyo ngendo. Ariko yaravuze ko bamwe mu mpunzi bikika mu kiza kubera ari impunzi kugira bibere ahandi, bigatera kwibaza ku vyerekeye intumbero yabo hamwe n'igihe bizomara. Vyongeye, umuhari Iteka, hamwe n'ayandi mashirahamwe, babandanya bashira ahabona amabi, iterabwoba hamwe n'amahohoterwa bivamwo amahagarikwa hamwe n'ubwicanyi bubabaje bw'impunzi mu makambi muri Tanzaniya, bigatuma abo bantu bategura kugaruka mu gihugu.

Ku vyerekeye ubutungane, Ndikuriyo yemeje ko umugambwe utivanga na gato mu bintu vy'ubutungane, agirako amenyesha igenwa ry'umunyamabanga w'igihugu ajejwe ibibazo vy'ubutungane gusa. Uwo nawe azohabwa ububasha bwo kwihweza ibibazo vyose bihari kugira habeho ukunganisha ku ngingo zifatwa. Ariko, haribukijwe ko hariho ukwinjira muvyubutungane vyabonetse kenshi, hamwe n'abacamanza baterwa ubwoba kandi bagategerezwa guca imanza zishobora gutosekaza ubwigenge bw'ubutungane. Ako kabi karatohojwe mu manza zitandukanye zo mu gihugu, bikazana amakenga aboneka ku bwigenge bw'ubutungane.

Ku kibazo ry'agaciro k'ihera ry'uburundi katakaye, Ndikuriyo aravyemera ko ryataye agaciro cane, ko cane cane abishira ku mwimbu w'ibishoka hanze udakwiye. Yaciye ahamagarira abarundi kugwiza inguvu zabo muri ico gisata ngirakamaro kugira bafashe mu gushigikira ubutunzi bw'igihugu.

Kuvyerekeye ibura ry'igitoro, yarashikirije ko adashigikiye ingingo iheruka yo kurekurira abashaka ico gisata bose, akayita ingingo ishobora guhuhura n'ivyahuhuka kubera ibura ry'amahera y'agaciro akenewe kugira haboneke ibikenewe biva hanze. Muri uwo mubonano,ibintu 2 vyiyongereyeko bikomeye navyo nyene barabigarutseko :

1.Kuvyerekeye abitoza bashize imbere ibiturire : Yaragabishije ivuye inyuma ku bitoza baciye mu nzira y'ibiturire mugihe c'imyiyamamazo y'amatora. Yashize imbere ko hategerezwa kubaho abareretsi kugira hatanguzwe kurikanura bikomeye, bigamije kudoma ko urutoke ikitagenda neza ku bitoza hamwe no kugira amatora y'iteka arindiriwe cane.

2. Intego 2040-2060 : Ndikuriyo yashikirije ishaka ryiwe rishimitse kandi yemeje biboneka ko bazoshira mungiro icivugo c'uBurundi bwifashe gushika 2040, hamwe n'uburundi buteye imbere gushika 2060. Yarashikirije akamaro ntagereranywa ko gushigikira ibintu vyose vyo gukorera hamwe, mu ntumbero yo gutegura kazoza keza kandi gateye imbere ku gihugu kandi mu bisata vyose. Ico civugo gihanzwe amaso kiraba impande zose nk'imibano, iterambere rirama,hamwe no kuzamura ubutunzi bikenewe kugira bahangane n'intambamyi z'ubu n'iza kazoza.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 2)*

**Uwahoze ari buramatari w'intara ariko yiyamamaza gutwara umutumba muri komine Bururi, intara ya Burunga**

Ku wa 19/8/2025, uwahoze ari buramatari w'intara ya Bururi, Colonel Leonidas Bandenzamaso, azwi ku ritazirano rya Kirenge, ariko ariko yiyamamaza ku mutumba wiwe w'amavuka Nyamiyaga kugira yitoze awurongore. Abahinga bamwe muri politike biyumvira ko ashaka kwitoza kugira azozamurwe mu yandi mabanga asaba kuba waratowe, ku bwo ibwirizwa shingiro ry'uburundi. Amakuru yo mu ntwaro muri zone Bamba, komine Bururi, Colonel Leonidas Bandenzamaso ari mu karuhuko k'izabukuru akaba yahoze ari buramatari w'intara ya Bururi, ariko yiyamamaza ku mutumba w'amavuka Nyamiyaga, zone Bamba,komine Bururi mu ntara ya Burunga kugira atorerwe kuyobora umutumba.

Ni imboneka rimwe mu burundi aho uwahoze ari buramatari yitoreza gutwara umutumba. Bamwe mu mvukira b'iyahoze ari intara ya Bururi barashima ubutwari yatwaranye iyo ntara kandi baribuka ko ari mu ntara ya Bururi ibiciro vy'ibidandazwavya nkenerwa nk'ibinyobwa vya BRARUDI, isukari, isima vyari vyubahirijwe.Bamwe baribuka uko biri kose ibitero n'imipanga vyakirimbiye kuri iyo ntara, haraciye imyaka 3 kandi ko ukuri kuri ivyo bitero kutaramenyekana. Abandi mu mvukira bamwipfuriza kuroranirwa no kumererwa neza muri politike.

Itegeko rigenga amatoraritegekanya ko uwitoreza ubuhanuzwajambo bwo ku mutumba atagereza kuba ku mutumba igihe cose ariko siko biri ku wahoze ari buramatari w'intara ya Bururi.

**Umukuru w'igihugu c'uBurundi, Evariste Ndayishimiye yitavye ikoraniro mpuzamakungu rya Tokyo rigira 9 kw'iterambere rya Afirika (TICAD9)**

Ukwitaba kw'umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye mw'ikoraniro mpuzamakungu rigira 9 rya Tokyo kw'iterambere rya Afirika (TICAD9), ryabaye ku wa 20-22/8/2025 iYokohama, mu Buyapani, bifise akamaro kanini mu gisata c'imigenderanire mpuzamakungu mu Burundi. Aherekejwe n'umutambukanyi wiwe, umukuru w'igihugu yaronse akaryo ko kuganira n'abandi banyacubahiro bari bahari, bikerekana ko ico gikorwa gituma yunga ubucuti. Ikiyago nkoramutima muri uwo mubonano yakigiranye n'umushikiranganji wambere w'uBuyapani, Fumio Kishida, aho abo batware 2 banoganza ibiganiro kuvyerekeye imigenderanire, ishusho ryiza mw'iterambere ry'ubutunzi hamwe n'imibano vy'uBurundi. Iruhande y'ikoraniro,ku wa 20/8/2025, yarahawe umubonano na Dr Reverend Ock Soo Park, uwatanguje ishirahamwe mpuzamakungu ry'urwaruka (IYF) muri Repubulika ya Koreya.

Ukwitaba kw'umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye mw'ikoraniro mpuzamakungu rigira 9 rya Tokyo kw'iterambere rya Afirika (TICAD9), ryabaye ku wa 20-22/8/2025 iYokohama, mu Buyapani, bifise akamaro kanini mu gisata c'imigenderanire mpuzamakungu mu Burundi. Aherekejwe n'umutambukanyi wiwe,umukuru w'igihugu yaronse akaryo ko kuganira n'abandi banyacubahiro bari bahari, bikerekana ko ico gikorwa gituma yunga ubucuti.

## *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 3)*

Ikiyago nkoramutima muri uwo mubonano yakigiranye n'umushikiranganji wambere w'uBuyapani, Fumio Kishida, aho abo batware 2 banoganza ibiganiro kuvyerekeye imigenderanire, ishusho ryiza mw'iterambere ry'ubutunzi hamwe n'imibano vy'uBurundi. Iruhande y'ikoraniro, ku wa 20/8/2025, yarahawe umubonano na Dr Reverend Ock Soo Park, uwatanguje ishirahamwe mpuzamakungu ry'urwaruka (IYF) muri Repubulika ya Koreya.

Uwo mubonano werekana ishaka ryo gushiraho imigenderanire ikomeye ku nyungu y'urwaruka rw'abarundi, cane cane ururi mu muhari w'Imbonerakure. Ibiyago vyatumye kaboneka umuco ku twigoro dutandukanye turiko turakorwa, nk'imigambi yo kwigisha igamije korohereza impinduka nziza y'imitima ku rwaruka, gutanga uburenganzira bwo kwiga hanze,hamwe n'umugambi wo gushiraho itsimbatazwa ry'inyigisho mu Burundi. Umukuru w'igihugu Ndayishimiye yarerekanye ko anezerewe n'utwo twigoro, aremanga ko dufise uruhara ntagereranwa mw'iterambere hamwe no mw'izamuka ry'urwaruka rw'igihugu ciwe.

Vyongeye, yarateye intege IYF ko ryokorana mu bugwaneza na PAEJ, barondera gutyo gukomeza inani zihari hamwe no kugwiza ivyiza vy'ibikorwa vy'amashirahamwe. Umuhari Iteka wamebonye ko uwo mubonano ushobora kuba ngirakamaro mu Burundi,mu gihe urwaruka rw'iMbonerakure zoba ziteguriye umuco wo kwakira imyinduka nyayo izanywe na IYF, mugihe iyo izoba yashizwe ku kivi mu gihugu.

## *I.2.ISHUSHO RY'UMUTEKANO*

### Umugore ageramiwe muri komine Karuzi, intara ya Gitega

Ku wa 23/8/2025, ku mutumba Gashanga,zone Bugenyuzi, komine Karuzi,intara ya Gitega, Marianne, avuka kuri uwo mutumba, yarahatswe kw'icwa n'umutego w'Imbonerakure zaho. Kubwo ivyabona vyaho, uwo yari yasohotse ibohero haciye indwi zibiri inyuma yo kwagirizwa uburozi agaca apfungwa vyimfatakibanza.

Kubera abanyagihugu bo kuri uwo mutumba batari bakigomba kumubona, yafashe ingingo yo kwimukira ku mutumba Gasenyi, wa zone Mayenzi, komine Karusi kandi yari yagerageje kugenda kurondera ivyo afungura mu mirima yiwe yo ku mutumba yahorako. Agarutse yaguye mu mutego w'Imbonerakure zagomba kumwica ariko yaragize imana yo kubacika hanyuma umuhungu wiwe agendesha ipikipiki ku mugwa mukuru wa Buhiga aramuhungisha.

### Ba ntahontikora b'iGabaniro basaba Reta, amatongo kugira barime kandi babeho

Abahunze kubera isi yasenyutse ku mutumba Gabaniro, komine Muhuta, intara ya Bujumbura, imiryango 165 ifise ingorane yo gusubira kwisanasana. Basaba Reta hamwe n'abarongozi baho kubaha amatongo yo kurima kugira bashobore kubeshaho imiryango yabo.

Kuva ico caduka catabagaje umutumba Gabaniro muri komine Muhuta, imiryango myinshibayeho kumangenge. Benshi muribo bashobora kubaho kubera bagabuye ivyo bateka n'ababanyi canke imfashanyo ntonto bahawe n'igihamana c'abashigikirana.

## *I.2. ISHUSHO RY'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 4)*

Iyo abahunze bamwe barose amabati kugira basanure, benshi ntibashoboye kuyakoresha, kubera kubura amato bubakamwo aho bikika. Abashoboye kwiyubakira ubu bahura n'uwundi mutego : kutagira amatongo yo kurima kugira bagaburire umuryango wabo.

Abahuye n'ivyo vyago basigura ko kuzera inze ku mfashanyo atari ubuzima kandi bashaka gusubira kuronka ubuzima bw'iteka, nk'abandi banyagihugu.

Ku ruhande rwabo, abarongozi bo muri komine Muhuta baremera uburemere bw'ico kintu, ariko bagashikiriza aho bageza mu bikorwa vyabo : « Komine irabuze amatongo yigenga yo gusubizwamwo iyo miryango. Tubasaba kwihangana kandi twizeye ko tuzotora inyishu irama », nivyo bashikiriza.

Mu kurindira, iyo miryango 165 yahunze yo mw'iGabaniro ibandanya ibaho mu mw'iheburo, bizigiye umuhango wo kubazamura utevye gushirwa mu ngiro

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

**Igipolisi kiraremesha abantu bashika 30 b'abarundi bahenzwe na Anicet Niyonkuru, umukuru w'umugambwe utavuga rumwe na Reta CDP ko bazosubizwa**

Ku wa 19/8/2025, Anicet Niyonkuru, umukuru w'umugambwe CDP, yarahagaritswe aca ararekurwa inyuma y'imisi ibiri.

Kubwo icabona cavyiboneye, yahagarikiwe ku kirindiro c'ishirahamwe ryiwe, BAHS, rifasha abantu kuronka urupapuro VISA no kuronka akazi hanze y'igihugu. Igipolisi c'igihugu c'uBurundi camushize muri komisariya, muri BSR, inyuma y'aho yagirijwe kwibisha uruyeri.

Kubwo isoko rya hafi yavyo, abantu barenga 30 bamwagiriza ko yabatwaye amahera mu kubemerera akazi iBurayi. Ku wa 21/8/2025, Anicet Niyonkuru yararengutse imbere ya parake nkuru y'igihugu kugira yisigure kandi ntiyahakanye ivyo yagirizwa n'abayamuhaye.

Bukeye bwaho, umuvukanyi wiwe mukuru yaraje aca aremera kuriha igice c'amahera yasabwa. Ayasigaye azoca asubizwa mundwi 2 zikurikira. Umushikiriza manza wa Repubulika, Ernest Nduwimana, yagabishije ko ingingo zizofatwa mugihe amahera adasubijwe kugihe.

**Umu colonel w'igipolisi apfunzwe kubera ubusuma bw'igitoro hamwe no guhakwa kwica**

Kuva ku wa 18/8/2025, colonel wa polisi ARAKAZA Moïse yararungitswe mw'ibohero ry'iBururi ku mutahe wa parake yegamiye sentare nkuru y 'iBururi inyuma y'aho afatiwe ku mugwa mukuru w'ubutunzi ku wa 14/8/2025.

Kubwo amasoko yo mu butungane,iyo ntwazangabo ikurikiranwa ku bintu 2 yagirizwa : urudandazwa rw'igitoro biciye kubiri n'amategeko hamwe no guhakwa kwica.Abamwegereye bakorana, banuganugwa ko bari murudandazwa rwa magendu, kubiberekeye babohewe mw'ibohero rikuru rya Murembwe, mu Rumonge, aho baciriwe urubanza rw'ikibiriraho.

Amashirahamwe yigenga hamwe n'abanyagihugu bagiriza colonel wa polisi Arakaza Moïse kuva kera gukora amabi, ukunyuruza hamwe n'ubunyonyezi

butandukanye. Ariko gushika ubu, nta butungane bushingiye kw'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu bwari bwamukoreko.

Ivyo vya colonel Arakaza bishira ahabona intonde z'ubutunzi bibangabanganwa bijanye n'urudandazwa rw'igitoro kandi baribaza ubushobozi bw'ubutungane bw'uBurundi mu guhangana n'igitsure capolitike n'inzego z'umutekano.

Amashirahamwe yigenga, co kimwe n'abanyagihugu baho, barindiriye urubanza zw'akarorero. « Urubanza rwo kurinda rworungitse ikimenyetso gikomeye ku kudahana », bishimangirwa n'amashirahamwe menshi. Hasigaye kumenya ko ubutungane buzokubahuka kurengana iryo geragezwa mu gihe aho ibintu birimwo intwazangabo zo hejuru biherera kenshi na kenshi mu kwibagirwa.

Kuri uwo mus iwa 18/8/2025, igikorwa cisanzuye c'igipolisi caragendeye urugo rwa colonel wa polisi Moïse Arakaza, batazira Nyeganyega, ruri ku mutumba Muyange, komine Nyanza,mu ntara ya Burunga. Kubwo ivyabona, urugo rwiwe rwakikujwe kuva igihe c'isaha 9 zishira ubuca n'abapolisi bavuye muri komisariya y'intara ya Makamba bafashanije n'abo muri komisariya ya komine Nyanza. Isakwa, ryagizwe barikanuye cane, ryashitse kw'itorwa ry'imyambaro myinshi y'igipolisi hamwe n'ibindi bintu ubwoko bwavyo butashizwe ahabona.

Muri uwo mwanya nyene,imihana y'abagendesha ipikipiki b'ababanyi ba colonel Arakaza nayo nyene yarasatswe.

**Ugupfunga biciye kubiri n'amategeko, igitsure ku bacamanza hamwe n'ubuzima bubabaje cane mw'ibohero mu ntara ya Burunga**

Abanyagihugu benshi baramara amezi menshi bapfunzwe atamwidondoro utomoye uragirwa kuri bo mu ntara ya Burunga,ku bwa CNIDH. Uwuyitwara, Musenyeri Martin Blaise Nyaboho, yemeza ko iminyororo imwe imwe yategetswe n'indongozi zitegeka gupfunga abantu mw'ibohero gushika aho bo nyene bafata ingingo yo kubakurayo.

Ariko hejuru y'abapfungwa, abacamanza bonyene bavuga ko bari mu kajembegete. Bamwe barakekeranya mu gufata ingingo z'ubutungane mugutinya kumererwa nabi. Abacamanza benshi bo mu bumanuko bw'igihugu baramaze gupfungwa, abandi barezwa kandi ntibigeze basubizwa mu mabanga yabo.

Ivyo vyose vyavugiwe mu mubonano wateguwe n'umugwi w'igihugu wigenga uharanira ahateka ka zina muntu iMakambamu ntara ya Burunga.

Uwutwara sentare nkuru iBururi, Jean Paul Mukangara, yari muri uwo mubonano, abifata minenerwe naho biri uko, akemeza ko ari « intabonwa » aravye imanza nyinshi zicibwa, kandi arashimika ku bwigenge abacamanza bahabwa n'ibwirizwa shingiro.

Ku ruhande rwiwe,Musenyeri Nyaboho yaremeye ko azobivuga mu bushikiranganji bw'ubutungane, kugira batumeko amanama bagirana n'abegwa ahanini n'ivyo gupfunga kugira basezerere kwinjirira bititura ubutungane.

Abitavye uwo mubonano bavuga ahubwo ko uko gukoresha nabi ubutungane vyunyugwa no kubura uburyo hamwe n'ibikoresho.

### *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE (Ibikurikira urupapuro 6)*

Nta parake n'imwe yo mu bumanuko bw'igihugu ifise ingendeshwa kugira ikore ubutumwa bwayo.

Gukwirikirana imanza birakweguka, bikagumiza abantu mw'ibohero vy'agateganyo kandi bigatuma haba benshi cane mu mabohero. Gushika ubu,ukuntu babayeho nabi mu mabohero birashikirizwa : abanyororo bugaranye mu bigega,nko mw'ibohero ry'iVyanda (iyahoze ari intara ya Bururi), canke ibohero ry'iBururi rifise uno musi abapfungwa 324 mugihe ryokwakiriye 250.

**Urubanza rw'ikibiriraho muri sentare nkuru muri komine Rutana, intara ya Burunga**

Ku wa 21/8/2025, mu ntahe y'ikibiriraho, sentare nkuru yo mu Rutana yakatiye Kezimana Furgence, Ngengakumana Ezechiel, Bizimana Claver, bose bavuka muri komine Karusi umunyororo w'imyaka 4 umwe umwe hamwe n'ihadabu rya 100.000fbu bagirizwa urudandazwa rw'abantu. Bahagaritswe bafise abana 5 kw'ibarabara Rutana-Gitega baja muri Tanzaniya.

### *I.4. ISHUSHO Y'INTWARO*

**Ubunyonyezi muri komine Nyanza, intara Burunga**

Abanywanyi b'inama mpanuzwajambo ya komine Nyanza yari irongowe n'umushingantahe Mpawenayo Prudence baratangazwa cane n'ishano ryakozwe n'uwahoze ari musitanteri umupfasoni Manirankunda Goreth ryo kunyuruza amahera arenga 100.000.000.

Kubwo ivyabona vyaho, inyuma yo guhanahana amabanga vy'abasitanteri babiri Ir Diomede Nsengiyumva na Goreth Manirakunda, basanze ayo mahera y'ubutunzi bwa Reta yarakuwe ku gasandugu k'ububiko nk'ingurane kumvo zo gusubiramwo no gukora neza imiringoti itwara amazi y'imigazo mu bice vy'ikigo c'ubuvuzi Mvugo kenshi giterwa n'imivo y'amazi.

Ku bw'ivyo vyabona nyene, uwo mugambi wari watanzwe n'uwutwara inama mpanuzwa jambo ya komine mu kwezi kwa Ntwarante 2025 ariko urankwa n'abanywanyi b'inama mpanuzwa jambo ariko yaguranywe kugira anyuruzwe. Ciza Gerard, umunyabigega wa komine yarabimumenyesheje mu gihe Ir diomede yatangura amabanga yiwe ku wa 14/8/2025. Iryo sesagura ryari irya misi yose kandi atagikorwa naho amashirahamwe ya Reta n'ayigenga yaguma aboroga.

## *II.1. UBURENGA NZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA*

**Ibiziga bitatu vyatowe muri komine Shombo, intara ya Gitega**

Ku wa 19/8/2025, ku metero nkeye uva ku nyubakwa z'ishure rikuru rya komine rya Nyabikere, komine Shombo, intara ya Gitega, ikiziga ca Melchiade Nzeyimana, umurimyi mworozi avuka ku mutumba Ngugo,afise imyaka 48 caratowe. Kubwo ivyabona vyaho, uwitwa Melchiade Nzeyimana yishwe n'abantu bashaka kumwiba amahera atari make yari yakuye mu nka yagurishije. Ikiziga cari gifise imirabagu kw'izosi, amaraso mu kanwa, ivyatuma biyumvira ko uwo mugabo yanizwe.

Musitanteri wa komine Shombo amenyesha ko amatohoza bijanye yamaze gutangura.

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 18/8/2025 avuga ko ku wa 16 Myandagari, ikiziga ca Cuma Ndikumana, afise imyaka 50, aba ku kutumba Taba, catowe, kiboheye ku giti. Vyongeye, ku wa 17 Myandagaro, ikiziga ca Joseph Nyamweru, afise imyaka 42 akaba avuka ku mutumba Muhororo caratowe. Uwo yatowe yari yatemwe n'umupanga, afise ibikomere vyinshi umubiri wose.

Ubwoba bwariyongereye mu banyagihugu kandi kubera amakenga aguma yiyongera, musitanteri wa komine Shombo yaremeje ubwo bwicanyi aca amenyesha ko amatohoza ayanguye. Yahamagariye abanyagihugu kuguma batekereje kandi bumvikana n'igipolisi. Ariko nta numwe yamenyekanye yikekwako icaha.

**Ikiziga catowe muri komine Rumonge, intara ya Burunga**

Mu gitondo co kuwa 22/8/2025, ku mutumba Mutambara, komine Rumonge, intara ya Burunga, ikiziga ca Bizimana Joachim caratowe mu kinogo kiri hafi y'ibarabara Rumonge-Bururi.

Kubwo ivyabona vyaho,ikiziga c'uwo caciye gitwarwa mu buruhukiro bw'ibitaro vya Rumonge kandi abantu 4 harimwo abagore 2 hamwe n'abagabo 2 barahagaritswe baca barapfungwa mw'ibohero rya komisariya ya polisi Rumonge kumvo z'amatohoza.

Kubwo ivyo vyabona nyene, ku wa 21/8/2025, abagore 2 barengana mw'ibarabara bumvise amaborogo baca baregera niko babona umugabo agoyagoya mu muferege urimwo ibiziba. Baravugije induru kugira batabaze haca haza abagabo 2 baca bamukurayo, umwe wo muribo yaciye aja kubimenyesha umuryango. Bahashitse, umuryango nta nakimwe wabonye baca bibaza ko bamutwaye ku bitaro ariko atarivyo,ahubwo bari bamusubije mu muserege kandi yagiye gutorwa ku wa 22/8/2025. Uwo rero yari afise terefone, ikinga hamwe n'amahera angana na 700.000 kubwo abagize umuryango wiwe.

Uwo yagize ivyago yaranizwe aca atabwa mu muserege kubera mu bantu bahagaritswe, umwe wo muribo yari afise ikinga ryiwe hamwe n'ikambambiri zatowe bamaze gusaka mu muhana iwe.

### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABICANYI BATARAMENYEKANA* *(Ibikurikira urupapuro 8)*

**Ikizigac'umugore catowe muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza**

Ku wa 14/8/2025, ku gacimbiri Rubabi, umutumba Camazi, muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza, ikiziga c'umugore yitwa Monique Naciza, afise imyaka 50, avuka ku gacimbiri Musenga, ko kri uwo mutumba nyene, caratowe mw'ishamba ry'aho hantu hafi y'ibarabara Camazi-Rusigabangazi. Kubwo amasoko yaho,ico kiziga catowe n'abana baragiye impene.

Umupfasoni Monique yavuye muhira ku wa 13/8/2025 agana ku soko ry'iRusigabangazi hanyuma umugore wiwe ararindira ariko ntiyagarutse.Niho bukeye bwaho ku wa 14/8/2025, mu gatondo ko inkuru mbi yashikira umuryango ibamenyesha ko hatowe ikiziga ca Monique Naciza. Abantu bamwishe ntibashoboye kumenyekana kandi boba bakoresheje ibuye kugira bamwice kubera kubwo ivyabona vyari bihari mugihe batora ikiziga ciwe hari urubuye runiniya ruriko amaraso iruhande y'umutwe wiwe bigatuma bibaza ko aririyo ryoba ryarakoreshejwe mu kumwica.

Musitanteri yarunguruje ikiziga akoresheje ingendeshwa ya komine Gisagara agitwara mu buruhukiro bw'ibitaro vy'iMurore. Kubwo isoko ryo mu ntwaro ku rwego rwa komine, amatohoza ariko araakorwa kugira hamenyekane abamwishe hamwe ivyabitumye.

Kubwo iryo soko nyene,umuntu umwe yitwa Phocas Barampama yarahagaritswe kumvo z'amatohoza.

### *II.1.2. UKUNYURUZWA HAMWE N'UKUBURWA IRENGERO*

**Umugore umwe yaranyurujwe aca atorwa munyuma muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 18/8/2025 amenyesha ko ku wa 17/8/2025, mw'isoko ryo mu Rusengo,muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza, umugore azwi kw'izina rya Maman Sarah yaranyurujwe n'abantu bataramenyekana. Kubwo amasoko dukuraho, uwo mugore afise abana 5, yatwawe mu ngendeshwa y'ivyumba 2 yo mu bwoko bwa toyota ifise ibara ryere itagira imparati. Uwo yagize ivyago yanyurujwe ku wa 17/8/2025 mugihe yari kw'isoko mu Rusengo, muri komine Ruyigi.

Twomenyesha ko uwo mugore aba ku mutumba Nyamutobo w'iyo komine nyene ya Ruygi. Kubwo ayo masoko nyene, umugore yatowe inyuma y'imisi 5 abuzwe irengero atorwa muri komine Kayanza, intara ya Butanyerera, iruhande y'inyubakwa y'uwahoze ari buramatari w'iyahoze ari intara ya Kayanza. Inyuma y'imisi 5 aronderwa,umuryango wiwe waramenyeshejwe ko yoba apfungiwe muri imwe mu mazu ari ku mugwa mukuru wa komine ya Kayanza.

Bamaze gushika mu gisagara caKayanza, bamenyeshejwe ko acungiwe munzu imwe mu mazu twavuze hejuru. Mugihe begera, barabonye imodoka ifise ibiyo bitabonerana ivuye mu rupangu harimwo umuntu muriyo ariko araboroga atabaza baca barakwirikira iyo modoka bari ku pikipiki.

Iyo modoka ivugwa yafashe ibarabara itera ija kuri komine Ngozi. Ishitse nko ku birometero 5 vyo mu gisagara caKayanza, baruguruye umwango w'imodoka baca bakororera hasi uwo muntu kubera babonye ko hariho abantu bariko barabakwirikira ku pikipiki. Mu maso huwo yakorewe ivyo bari bamufutse. Umuryango waratoye uwabo

ariko yari amerewe nabi kubera yaborejwe igufa.

Ubu ari mubitaro Rema vyo mu Ruyigi, intara yiwe y'amavuka. Indyane zo mu miryango zoba arizo zatumye iryo nyuruzwa. Umwe mu banywanyi b'umuryango azwi kw'izina rya Muverema yarahagaritswe kumvo z'amatohoza, muri uno mwanya ari mw'ibohero rya komisariya y'intara y'igipolisi ya Ruyigi.

## *II.2. UGUSHIRA NAKO MURI VYOSE*

### *II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA CANKE GUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI*

**Umugore yaborejwe igufa ku mutumba Mitakataka, komine Bubanza,intara Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 20/8/2025 imenyesha ko kuva kuwa 8/8/2025, umugore abaku mutumba Mitakataka, komine Bubanza, intara ya Bujumbura, ari mu bitaro inyuma y'aho akubitiwe n'umupolisi akora kw'ishure rikuru ry'igipolisi ryo muMitakataka.

Kubwo ivyabona, umupolisi yamwagirije ko ari umurozi imbere yo kumukubita akoresheje inkoni.Abantu bari bahari bemeza ko iyo nyifato ibabaje cane aho uwujejwe umutekano, yokingiye abanyagihugu, yahindutse inkozi y'ikibi.

Amasoko yaho yigana ko umupolisi yari aborewe igihe yabikora. Ishavu ry'abahaba ryaratumye nawe nyene bamukubita baramunoza, imbere y'uko ahungishwa neza n'abobakorana baje gutabara.

Uwahoze atwara zone Mitakataka, Jacques Nikwitegetse, aremeza ivyabaye kandi atomora ko, n'aho abahaba baguma bamuterefona ngo uwo mu polisi ahanirwe iyo nyifato bita « itabereye kandi y'ubwicanyi », uwo mu polisi aguma atembera yidegemvya. Abo bakorana baramukingiye gukwirikiranwa n'ubutungane, bigasasagaza ingendo y'akarenganyo hamwe n'agashavu mu banyagihugu.

Ababa mu Mitakataka basaba ko ingingo z'akarorero zifatwa kugirango amabi nk'ayo ntasubire kuba kandi ko abajejwe umutekano bakora neza igikorwa cabo co gukingira abanyagihugu.

**Umugabo umwe yakubiswe muri komine Musongati,intara Burunga**

Ku wa 23/8/2025, hafi igihe c'isaha 12 z'umugoroba, ku mutumba Mutwana, zone ya Butezi komine Musongati, intara ya Burunga, Hakizimana Gervais, avuka kuri uwo mutumba,umunywanyi w'umugambwe UPRONA, yitoreza kurongora umutumba yarakubiswe n'umukuru w'umutumba Nemerimana Vincent hamwe na Ntirandekura Bernard, arongoye umugambwe CNDD-FDD kuri uwo mutumba nyene.

Kubwo ivyabona vy'aho,ivyo bintu vyo kuboreza igufa bitumwa n'uko abatware bamwagirije ko abandanya yiyamamariza ubukuru bw'umutumba. Gervais yazize umugabwe.

Twomenya ko kuri uwo mutumba Mutwana, abanywanyi benshi b'umugambwe UPRONA barahaba kandi kenshi barahohoterwa n'abatware baho barikumwe n'Imbonerakure.

### *II.2.2. ABAHOHOTERWA BIFATIYE KU GITSINA*

### *II.2.2.1. AMABI AKORERWA MU MAZU*

**Umugabo umwe yaracumiswe n'umugore wiwe muri komine Mugina, intara ya Bujumbura**

Ku wa 24/8/2025, ku gacimbiri Gisheka, muri zone Nyamakarabo, Venant Niyonsaba, afise imyaka 30 kandi afise abana 2, yarakomerekejwe inyuma yaho acumitiwe n'umugore wiwe, Godelieve Ndayisaba, afise imya 26.

Kubwo amasoko y'abatashatse kumenyekana, umugore yarateye umugabo wiwe akoresheje imbugita amwagiriza gusesagura itunga ry'umuryango, cane cane ibitungwa kandi uwo yarafashijwe n'ababanyi imbere yo kumutwara ku kigo c'amagara y'abantu. Ivyabona vyemeza ko uwo muryango haciye indwi nyinshi uri mu ruhagarara. Umuryango w'uwakomeretse waraseruye agashavu kawo, ariko umuzo w'abajejwe umutekano waratumye hagaruka ituze. Godelieve Ndayisaba yarahagaritswe aca apfungwa icamaso mw'ibohero rya komine ya Mugina.

Uwutwara komine Nyamakarabo yaravyemeje kandi yahamagariye abanyagihugu kwizera ubutungane. « Uwikekwako icaha azokwumvirizwa kandi akurikiranwa hisunzwe itegeko. », yarashikirije.

### *II.2.2.2. ABAFASHWE KUNGUVU*

**Umukobwa akiri umwana yarafashwe ku nguvu muri komine n'intara ya Gitega**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 20 ivuga ko ku wa 8/8/2025, ku mutumba Mugutu, komine Gitega, GAC afise imyaka 6 ubu atiga yarafashwe ku nguvu na Buyoya Martin, afise imyaka 74 umubanyi w'abavyeyi biwe.

Kubwo amakuru twatororokanije, umutama yikize mu kiza abavyeyi atariho bari aca amukwegera munzu iwe aho yamufatiye ku nguvu. Inyuma y'ibara, umwana yaragarutse arira gushika aho musazawe mukuru ashiki hanyuma avuga ivyamushikiye.Babatatse, abanyagihugu barashwabadutse ningoga kandi uwikekwako icaha yarahagaritswe hanyuma ahabwa abapolisi b'aho.

Isoko ryacu ritomora ko uwo yagize ivyago afise ihahamuka riboneka kandi akenewe gukwirikiranwa n'abaganga hamwe n'abegwa n'ivy'inyifato vyihuta.

**Umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine Kiganda, intara ya Gitega**

Ku wa 20/8/2025, ku mutumba mugerera, zone Mbuye, komine Kiganda, II, afise imyaka 11, umukobwa wa Nzikobankana na Ndihokubwayo, umunyeshure wo mu mwaka wa 3 w'ishure shingiro Mugerera, yarafashe kunguvu na Mbonihankuye Zabron, afise imyaka 43, umurimyi, mugihe yari yagiye gusenya inkwi arikumwe n'abandi bagenzi biwe 2.Kubwo ivyabona vyaho, uwikekwa ko icaha yarabegereye aca aha amahera 2000 abo babiri bandi ngo baje kugura imbombo munzu y'ubudandari iri kure y'aho aca amufata ku nguvu. Ihihe abo bandi bana bashika, ibara ryari ryamaze kugwa.

Abavyeyi b'uwafashwe ku nguvu bashitse aho baciye bamutwara ku bitaro vy'iMbuye ubwonyene. Bukeye bwaho uwabikoze amaze kumenya ko aronderwa, yarahunze kandi gushika ubu ntaraboneka.

### *II.2.3. UBURENGANZIRA KUMWIDEGEMBYO*

### *II.2.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

**Abitoreza gutwara umutumba 3 bahagaritswe muri komine Rumonge,intara ya Burunga**

Ku wa 21/8/2025, ku Mutumba Kanyenkoko, komine Rumonge intara ya Burunga, Moïse Ntirandekura batazira Musore, Habonimana Jean Paul na Venant Issa Havyarimana, abantu 3 bari ku ntonde z'abitorezagutwara imitumba Kanyenkoko barahagaritswe n'igendereza ryo mu Rumonge kandi baciye bajanwa muri komisariya y'igipolisi co mu Rumonge kugira babazwe. Munyuma igipolisi casanzwe ari irementanya kugira bagerageze kubakura ku rutonde burundu.

Kubwo ivyabona vyaho,abo bagiriwe ivyo bemeza ko bagirirwa iterabwoba hamwe n'iturubikwa bigamije kubabuza kwitoza. Ntirandekura, Habonimana na Havyarimana barahagaritswe n'abakozi b'igendereza mu Rumonge mugihe bariko biyamamariza mu banyagihugu. Babagiriza ko bateguye umwigaragamvyo utarekuwe n'amategeko, baduza ivyapa.

Kubwo amasoko atandukanye, vyose vyatanguye ku wa 14/8/2025, igihe abitoza 4 bo muri iyo karatiye bakurwa ku rutonde rw'abitoza n'umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rwa komine Rumonge biciye kubiri n'amategeko, ata n'igituma na kimwe bababariye. Abo rero baciye bitwara ku mugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu, waruhiye kubarenganura, babarekurira gusubira kwiyamamaza.

Kubwo ababa muri karatiye Kanyenkoko kenshi, abo bagabo 3 naho biri uko ni abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD. Ariko, ukutumvikana hagati kuruhande rw'inzego zaho z'umugambwe nivyo bizana uruhagarara. Abarongozi bamwe bamwe boba barondera gushiraho abo bishakiye, bagakumira gutyo abo bita abigenga canke batoborohereza.

Mugihe amatora yimirije, ivyo bintu bizana amakenga ku vyerekeye umuco mu matora hamwe no mu kubahiriza uburenganzira bwa politike ku bitoza.

**Abantu 5 bahagaritswe muri komine Matongo, intara ya Butanyerera**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 18/8/2025 imrnyesha ko kuva ku wa 14/8/2025, abarimyi b'icayi 5 bo muri komine Matongo bari mw'ibohero, bagirizwa kurandura imirima y'icayi.

Kubwo ivyabona vyaho,abo bantu bari barengukijwe n'inyamiramabi ifatanije na Janviere Kanyana musitanteri w'iyo komine kandi bashitse, baciye bashirwa mw'ibohero. Musitanteri yemeza ko abo bantu 5 bazojanwa mu butungane kubera bahungabanije ubutunzi bw'igihugu. Iyo ndongozi yategetse ko bonagura imirima bamomoye vuba bwango.

### *II.2.3.2. UBURENGA NZIRA BWO KUJA MU VYA RETA*

**Imiryango yomowe inyuma y'uruhagarara rwa politike mu Gatonga,komine Musongati, intara ya Burunga**

Haraciye amayinga atari make,icuka c'ubwoba hamwe n'iterabwoba ciganje ku mutumba Gatonga, komine Musongati, intara ya Burunga.

Kubwo amasoko yaho,n'imiburiburi imiryango 13, iri mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD harimwo Ndayishimiye Deo, Niyukwizigirwa Lucie, Ndayishimiye Nehemie, Nizigiyimana Shabani, Niyoyikundiye Venuste baramaze guhunga umututumba barondera ubuhungiro muri Tanzaniya, abandi baguma binyegeje mu gihugu hagati mu Burundi.

Kubwo ivyo vyabona nyene vyaho, abarongozi bo ku mutumba 5, harimwo Leonard Barakamfitiye, azwi nka Bugoma, yahoze ari uwambere ku rutonde rw'abitoreza gutwara umutumba Gatonga haciye ibiringo 3 hamwe n'abo bari kumwe bariko batotezwa n'abarongozi mu ntara b'umugambwe CNDD-FDD, boba barondera kubabuza kwitoreza ubukuru bw'umutumba.

Babonye amazina yabo yafuswe muri CECI Musongati hamwe no muri CEPI Burunga, naho CENI yari ya bahaye uruhusha inyuma y'aho bayituriye, yari yaremeje ko ata nahamwe ubutungane bubakwirikirana.

Mu mwanya wa mbere, abarongozi baho barase kwandika Bugoma n'abo barikumwe kandi bafise uburenganzira bwo kwitoza hanyuma Bugoma yitwara muri CENI,iruhira kumwemerera kwitoza.

Kuwa 14/8/2025, ku mutumba Gatonga wa zone Muzye muri komine Musongati, Sylvain Nzikoruriho, umunyamabanga wa CNDD-FDD mu ntara yaragirishije inama abakuru b'umugambwe mu makomine, ama zone n'imitumba y'iyo ntara.

Intumbero y'iyo nama kwariukugabisha Barakamfitiye Leonard, uwitwariza gutwara umututumba mu matora yimirije kuba ku wa 25/8/2025.

Ku bwo isoko ryaho, amatati yabo yatanguye mugihe bamanika abitoreza gutwara umutumba. Nzikoruriho yategetse gukuramwo Barakamfitiye ku rutonde akavuga ko adakwije ibisabwa vyose kugira yitoze. Barakamfitiye niko guca yitura CECI gushika no muri CENI ari naho yasubiriye kuronkera uburenganzira bwo kuja mu matora.

Muri iyo nama nyene,yaramenyesheje ko umushingantahe Barakamfitiye Leonard atagira uburenganzira na bumwe bwo kuja mu matora y'imitumba ategekanijwe kuko atubashe ivyo yamutegetse. Yaranashimangiye kandi ko mugihe yokubahuka kubigira, ashobora mbere no kwicwa n'umuryango wiwe wose. Yarongeyeko ko atanumwe amutera ubwoba naho yoba umunyamabanga mukuru w'umugambwe Reverien Ndikuriyo mbere n'umukuru w'igihugu.

Inyuma y'ayo majambo ya Sylvain, umushingantahe Leonard Barakamfitiye hamwe n'abandi bagize umugwi wiwe mu kwiyamamaza barahunze bagana akarere ko kurubibe muri Tanzaniya kubera ubwoba bwo gupfungwa amatora yimirije.

Muri iyo nama, Sylvain Nzikoruriho yasavye gukwirikiranira hagufi abantu 53 bari kumwe n'abo bahoze ari abarongozi b'umutumba Gatonga.

### *II.2.3. UBURENGA NZIRA BWO KUJA MU VYA RETA* *(Ibikurikira urupapuro 13)*

Kubwo ivyabona vyaho, inyuma y'iyo mikenyuro ya politike hinyegaje kandi akamaro k'aho Gatonga iri, umutumba uhana urubibe na Tanzaniya ukaba ukamishwa n'abarongozi bo mu ntwaro na politike mu gukora ibikorwa vy'urudandazwa rwa magendu.

Hofashiije nko mu kuhaca mu kwinjiza no gusohora ibidandazwa vya magendu.

Ihiga ry'abantu riboneka rigirirwa abarongozi bamwe baho rigamije gushiraho abayoboke ba CNDD-FDD boshobora kworohereza urudandazwa ruciye kubiri n'amategeko hamwe no gukingira izo nani,

Buramatari wa Burunga, Parfait Mboninyibuka, yaheruka gutera akmo abanyagihugu, abicishije ku binyamakuru vyaho, ko « botora abarongozi b'imitumba b'ingira kamaro, kubera abanyagihugu barazi neza abitoza babikwiriye. » Ariko ku rubuga, benshi muri abo bitoza babonwa n'abanyagihugu ko aribo babikwiriye bakumirwa ku gitsure ca CNDD-FDD, bigakomeza ikinogo hagati y'amajambo yemewe n'ivyo babona.

## *III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA*

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA BW'UBUTUNZI*

**Imiryangoyanyazwe ifise ubwoba bw'ikigoyi hamwe no kurungikwa kunguvu muri komine Mugina,intara ya Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 23/8/2025 imenyesha ko mu ntara ya Bujumbura, ku mitumba ya Buhoro na Busesa, zone Nyarure, komine Mugina, imiryango ishika 100 ari ba ntahonikora. Babitewe n'uko banyezwe amatongo yabo barima, ariyo buraro n'uburamuko, kugira bahacukure ubutare.

Abahaba bavuga ko ari ukunyagwa amatongo yabo batabagishije inama, vyakozwe n'inzego zo hejuru harimwo Gervais Ndirakobuca,ubu arongoye inamankenguzamateka, lieutenant-general Silas Ntigurirwa, atwara ikisirikare ahakorera umukuru w'igihugu, umushingamateka Lubassa, umunya kongoakomeye mu mugambwe CNDD-FDD, yatowe muri Mugina kuva 2015, Colonel Careme Bizoza, uwahoze ari buramatari wa Cibitoke, colonel Eugene Bizindavyi, asigaye ategura ibikorwa vy'Imbonerakure muri Kongo, akanarongora ishirahamwe ry'ubutare AJENITEKA, Gervais Ndirakobuca afise mwo umutahe munini, Lieutenant-colonel Jean-Baptiste Bizumuremyi, komiseri w'intara ya Rumonge.

Inyuma y'aho bageragereje gutabaza umukuru w'igihugu bikaba impfagusa, abo bagize ingorane baratera akamo abaharanira agateka ka zina muntu hamwe n'umuntu wese yogira ico afasha.

Kubwo isoko ry'umugambwe CNDD-FDD, umukuru w'igihugu arabizi, ariko arihoza kuko na we nyene yoba ariko akora ibikorwa vyo gucukura mw'ishamba rya Kibira ataco yinona.

Muri nya komine nyene ya Mugina, ibikorwa vyo gucukura vyari vyafashije gushinga imizi umugwi w'abarwanyi b'abanyarwanda FDLR -Interahamwe.Izo nyeshamba zarakomeje ibirindiro vyazo mu karere hagati ya 2008 na Nzero 2025, imbere yo guhamagarwa gufasha FARDC na FDNB mu ntambara zabo na M23.

# III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA BW'UBUTUNZI (Ibikurikira urupapuro 14)

Ariko, isoko ry'igendereza ry'igihugu rimenyesha ko izo nyeshamba zivuye bukebuke mu kibira kuva mu ntango ya Myandagaro 2025. Igaruka ry'iyo migwi yitwaje ibigwanisho mu kibira no mu micungararo yaho riteye amakenga meshi ku mutekano w'abanyagihugu bahegereye, nk'uko vyari muri kahise.

## Ugucererwa guhemba abarimyi b'ikawa mu nyara z'igihugu

**Mu ntara ya Bujumbura**, kuva muri Ntwarante, abarimyi b'ikawa bo mu makomine Mpanda na Bubanza mu ntara ya Bujumbura bavuga ukudahembwa ku mwimbu wabo w'ikawa wahawe amashirahamwe.

Uko gucererwa bishikana abarimyi mu ngorane zikomeye : ntibashobora no kugura ibikoresho vy'ishure vy'abana babo, canke kuriha umwavu, canke kuriha ibindi bintu vyose vya nkenerwa. Umwe mu barimyi aridoga : « ku mwaka ku mwaka, baturiha batevye, iyo turose amahera naho, bisa n'uko ataco atumarira ». Kuberaivyo, bamwe bashaka guheba uburimyi bw'ikawa,babona ko ataco bumaze.

Abarongozi ba'amashirahamwe basigura uko gucererwa n'itangura ry'ubuhinga bushasha bwo guhemba. Kuva ubu, abarimyi ntibazohembwa mu manoti. Umurimyi w'ikawa wese ategerezwa kugurura agasandugu k'uubiko mw'ibanki canke mw'ishirahamwe ry'ububiko, canke gukoresha ubuhinga bwo kurungika nka Lumicash canke Ecocash. Abarimyi b'ikawa baridogera kandi ikiguzi babona ko ari gito cane baronka, cane cane mugihe ikawa ari igiterwa njabukamazi kizanira Reta amahera y'agaciro.

**Mu ntara ya Gitega**, kuva muri Ndamukiza 2025, abarimyi b'ikawa bashoye ikawa yabo ntibararonka amahera yabo. Imihango itashikijwe yarakwiragijwe yisubiriza ko amahemba yegereje kandi vyongeye bategetse abarimyi b'ikawa kugurura udusandugu tw'ububiko mu ma banki canke amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana mukubabarira ko amahemba mu ntoke atacemewe. Kubwo ivyabona vyo mu ntara ya Gitega, haraciye amezi abiri buguruje udusandugu ariko nta hera na rimwe rirajako. Imyidogo hamwe no kwiganyira bavuga ko babuze uburyo bwo kugura umwavu kandi ko bibagora kugura ibikoresho vy'ishure ni vyinshi mu barimyi b'ikawa.

## Gucererwa kugura umwimbu w'ipampa mu ntara ya Bujumbura

Abarimyi b'ipampa mu kiyaya c'Imbo, nko mu bo mu ma zone Rukana, Rugombo, Cibitoke, Buganda na Ndava, bashikiriza akababaro kabo kw'ishirahamwe COGERCO kubera gucererwa kugura umwimbu wabo.

Kubwo ivyabona,abarimyi bashikiriza ko umwimbu wabo, wamaze kwimburwa, uriko urononekara, uwundi wasigaye mu mirima ushobora kunyagirwa n'imvura kandi ipampa ribitse mu mazu rigeramiwe no gushobora guhitanwa n'umuriro.

Ishirahamwe COGERCO rijejwe kugura ipampa ry'abanyagihugu mu Burundi ntiriratangura kugura. Abarimyi bibutsa ko amahera y'iryo gurishwa yategerezwa kubashoboza kuriha amashure y'abana babo. « Dusaba COGERCO kunyaruka kugira ipampa ryacu ntiritakarire ubusa », baridoga.

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUZIMA BW'UBUTUNZI (Ibikurikikira urupapuro 15)*

Ikindi kintu bidogera ni ikiguzi,babona ko ari gito cane. Ikiro ubu kigurwa amahera 1000, mugihe abarimyi basaba ikiguzi n'imiburiburi ca 2500. Bagereranya ko ipampa risubira kugurishwa ku giciro kinini cane kw'isoko mpuzamakungu bamaze kurijabukana imbibe. Bamwe bashaka guheba uburimyi bw'ipampa atagihindutse, bagereranya ko ico gikorwa kitakibagiriye akamaro.

**Kubura igitoro muri komine Karuzi, intara Gitega**

Kuva ku wa 8/8/2025, kw'ipompo ry'iBuhiga, komine Karusi, intara ya Gitega, ingendeshwa zirahagarara kw'ipompo ya Buhiga mu kurindira igitoro. Kubwo ivyabona vyaho, abagendesha taxis batanguye guhagarika ingendeshwa zabo bavuga ko bafise inkuru ko uwugitanga aja kuzana ico mu bwoko bwa essence kuri iryo pompo ariko gushika ku wa 24/8/2025 nta n'ima riza ngaho. Kubwo ivyo vyabona nyene, ivyo birakora ku ngendo za bamwe n'abandi kubere ingenzi zija iGitega canke iMuyinga nahonyene bigoranye ibibunguruza kandi bizimvye cane.

### *III.2. UBURENGA NZIRA KU NDERO*

**Ingingo zikumira mu ntara ya Buhumuza**

Ku wa 21/8/2025, buramatari w'intara ya Buhumuza yarakoranije abayobozi b'indero mu ntara batatu (Cankuzo-Muyinga-Ruyigi) aho akorera kugira ategure itangura ry'umwaka w'ishure 2025-2026 kandi inyuma y'inama, hasohotse itangazo ku ngingo yafashwe.

Muri iryo tangazo,biratomoye ko mu ntumbero yo gushira mungiro ihangiro 2040 -2060, abavyeyi bose bafise abana haba mu mashure y'intango canke ayisumbuye babwirizwa kwitegura neza, mukugura umwambaro w'ishure mushasha. Ku banyeshure bo mu mashure yisumbuye,bazotonda bambaye ibirato (abahungu n'abakobwa).

Iyo ngingo ija gusongera isibe imbere y'ubukene buri mu ngo kandi abanyeshure bashobora guheba ishure gusumba uko vyahora kubera kubura uburyo. Ingingo ya buramatari imeze nk'ikumira ku bana bava mu miryango itifise.

**Uguheba amashure mu makomine Kayanza,Matongo na Muhanga,intara ya Butanyerera**

Muri uno mwaka w'ishure 2024-2025, abahungu 8584 n'abakobwa 6329 barahevye ishure mw'ishure shingiro kandi abakobwa 667 hamwe n'abahungu 560 b'inyuma y'ishure shingiro barahevye kubwo ibishikirizwa na Juvenal Mbonihankuye umuyobozi w'indero mu makomine 3 ariyo Kayanza, Matongo na Muhanga yo mu yahoze ari DPE Kayanza. Kubwo uwo muyobozi, hariho agahengwe agereranije no mu mwaka w'ishure 2023-2024 aho abahevye bari 18192 kuri bose. Ibituma ku bwa Juvenal Mbonihankuye ni ukurondera amahera bakiri bato, inda zitipfuzwa hamwe no kubura akarorero. Abana babona ababuze akazi biyongera hanyuma bakabura intege. Umuyobozi w'indero muri ico gice c'intara ya Butanyerera ahanura abavyeyi hamwe n'abana gushiramwo inguvu abana bose baje kw'ishure.

## *IV.UGUSOZERA N'IBIHIMIRIZWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ribandanya ry'agateka ka zina muntu mu Burundi kandi rirababazwa no kudahana abakora amabi. Rirasaba abarongozi b'uBurundi gufata ingingo zishobokakandi rihimiriza ibikurikira :

**Kuri Reta y'iGitega :**

1. Gufata ingingo zo gukinga ubwicanyi bwateguwe ,nko kwica inzoya hamwe no kwihanira.

2. Gutohoza ku bwicanyi hamwe no kumenya ababukora kugira bahanwe hisunzwe itegeko.

3. Gufata ingingo zo gukinga kuborezwa igufa hamwe no gufata bunyamaswa,n'ayandi mabi.

4. Gufata inginzo zo gukingira abakorewe ivyanfurambi hamwe no kubashigikira bikwiye.

5. Gufata ingingo zo guteza imbere ubutunzi budahungabana hamwe no kugabanya ubukene.

6. Kureka abanyagishugu bose bagasomesha abana babo, atagukumira.